**BIRTH OF A CHILD OF MIRACLE**
Matt. 2:1-23.
Lesson 100
Memory verse: “*For there is born to you, this day, in the city of David, a savior, who is Christ the Lord.”* **Luc. 2:11**

**IVUKA RY’UMWANA W’IGITANGAZA.**

Icirwa ca 100
Matayo: 2:1-23.

Ijambo ngenderwako***: “Uyu musi Umukiza abavukiye mu gisagara ca Dawidi”*** **Luka 2:11**

## I. Intagamarara.

Imyaka iraheze havutse Umwana w’Umuhungu i Betelehemu. Iki cari igisagara ca Dawidi ku birometero 8 uvuye i Yerusalemu. Imana yari yarasezeraniye abantu kuzobarungikira Umwana wayo mw’isi kugira abakize ivyago n’ivyaha baze bahabwe ingabire y’agakiza. Imigenderanire hagati y’umuntu n’Imana yari yatosekaye mw’itongo rya Edeni, yongere yubakwe.

## II. Abanyabwenge b’inyenyeri

Haje abantu bavuye mu buseruko i Mesopotaniya. Aba bari abanyabwenge biga cana ibijanye n’ibigize ikirere (Astronomie) bari barabwiwe n’abayuda batemberera mu bindi bihugu ; ikuru za Mesiya Umucunguzi azovuka. Bama bicaye ijoro ku rindi baraba kw’ijuru ngo batebe babone inyenyenyeri yiwe.

## III. Inyenyeri.

Habaye igihe haseruka inyenyeri idasa n’izindi kandi itigeze iboneke kw’ijuru. Yari yaravuzwe mu vyanditswe. **Guhar.24 :17.** Aba banyabwenge barayitegereza bamenya ko mu Buyuda havutse wa Mwami yavuzwe kera. Baca baja kumuninahaza. Rwari urugendo rurerure bategerezwa guca kw’isi y’umucanga n’izuba ryinshi bakahagenda n’ingamiya. Barabikoze bibaruhije kuko bari baje kurondera Umwami w’amahoro n’Umuco w’isi.

**IV. Gukurikira inyenyeri.**

Aba banyabwenge bitegereza inyenyeri. Yasa niyibabwira iti : Ingo munkurikire ndabashikana aho Umwami yavukiye. Kandi irabahashikana koko. Bajabutse

inzuzi, bashika mu gisagara c’ubatse n’impome ndende. Bamenya ko bageze i Yerusalemu. Baranezerwa.

Baravugana bati : « Umwami w’abayuida yavutse ari hehe ? kuko twabonye inyenyeri yiwe turi mu buseruko… » ” Mat**.** 2:2

## V. Herodi ahungabana kubw’inkuru y’Umwami yavutse.

Bumvise ikibazo babajijwe n’abanyabwenge b’inyenyeri, abo kwa Herodi bose barahungabana. Herode yoba yaribaza ingene vyohava bikagenda igihe yobwirwa kuva ku ngoma. Na Satani ntiyabuze kubabazwa n’iyi nkuru yo kuza kwa Yesu Kristo mw’isi. Yarumva ko ubutware bwiwe bushobora guhungabana.

Ibi bisa n’igihe Uhoraho yamanuka gutabara abana ba Israyeli abakuye mu maboka ya Farawo aho yari yarabishe urwagashinyaguro imyaka irenga amajana ane. Farawo yarinangiye umutima gushika ashitsweko n’inkoni ikomeye y’Imana abana n’ibitungano vyose vy’ifura bigapfa ijoro rimwe.

Nta gihe na kimwe umurwanizi Satani yihorera nk’aho ataco bimubwiye iyo hagize uwuhaguruka ngo amuve inyuma. Arakoresha ivyo ashoboye vyose ku nguvu canke m’ubwiyorobetsi. Gucika Satani ni intambara ikomeye. **Matayo 12:29** *« None umuntu yoshobora ate kwinjira mu nzu y’umuntu w’inkomezi kumusahura ibintu atabanje kuboha wa munyenkomezi ? »*

Nico gituma Imana isaba gusenga no kwigisha inkuru nziza abakiri mu minyororo ya Satani. Iyo ubonye bataravyemera, ntugacike intege niyo umwaka wohera ataravyemera. Mpwemu Yera aba ariko arakora.

Herode yasavye ko abo banyabwenge bamubwira igihe baboneye iyo nyenyeri ndetse ngo baze bagaruke kumubwira ko bamubonye ngo nawe azoje kumushengerera. Iki cari ikinyoma. Satani nawe Uku niko yereka abantu ko abipfuriza ivyiza ariko abashakira urupfu. Imana ni nziza kuko yaciye ihishurira abo banyabwenge imigambi mibi ya Herodi.Umuco wari ushitse mw’isi, abakorera mu mwijima bategerezwa guhungabana.

## VI. Bashika aho Umwami Yesu ari.

Abanyabwenge bayobowe n’inyenyeri, bashika mu nzu aho umwana w’igitangaza ari.iki ni icerekana ko bari baronse aho baba batakiri muri ca kiraro c’inka. Ikindi ni uko haciye igihe hagati yo kuvuka kwa Yesu n’aho bashikiye. Baramupfukamira,

baramusenga, bamushikanira amashikanwa, izahabu, imibavu n'isenga. Izi zari ingabire z'igiciro kinini zashikanirwa Umwami gusa. **Esay. 60:6**

Aha niho twigira ko umuntu wese akwiye kuba afise akanya yihariye ko gushimagiza Imana atitaye ku bibazo, uburuhe, intambara aba afise. Woshobora kuyishima ku gakiza yaguhaye, ko ariyo yaremye ijuru n'isi, k'uburinzi bwayo, k'urukundo rwayo, n'ibindi.Ukayishikanira mubutunzi bwawe

## VII.Gushira mu ngiro.

Umwana yavutse niwe Mwami w'isi n'ijuru. Yasize ubwiza bwiwe mw'ijuru aza kuba mw'isi kugira ngo acungure abantu. Urukundo rwiwe rwamuteye kwemera akabambwa k'umusaraba ngo avire amaraso ababoneka ari banyarucari. Yari Umwami akaboneka akengeretse mu maso y'abantu.

Urashobora kuba waramukengereye m'ubuzima bwawe. Inkuru nziza ni iyi : ***Uyu musi Umukiza yakuvukiye.*** Ico akugombako ni ukumwizera, ukamusanga. Bikore nk'uko abanyabwenga b'inyenyeri bamuronderanye umwete, bakanezerwa bamubonye. Nawe niyo wamwizera, uramubona ubu nyenye kandi uranezererwa.